**REPUBULIKA Y'UBURUNDI**

**UBUSHIKIRANGAJI BW'UMUTEKANO,**
**GUKINGA NO GUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE**

# ITANGAZO

1. UBUSHIKIRANGANJI BW'UMUTEKANO, GUKINGA NO GUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE BURAMENYESHEJE ABARUNDI N'ABARUNDIKAZI BIPFUZA KWINJIRA MW'ISHURE RY'IBISONGEREZI MU GIPOLISI (EBPO) KO IYANDIKWA RIZOBA KUVA KW'IGENEKEREZO RYA 03 GUSHIKA KW'IGENEKEREZO RYA 14 GITUGUTU 2018, KU MA KOMISARIYA Y'IGIPOLISI MU NTARA BAVUKAMWO, MU GITONDO KUVA ISAHA ZIBIRI GUSHIKA ISAHA ZITANDATU (08H00-12H00) NO KU MUHINGAMO KUVA ISAHA UMUNANI GUSHIKA ISAHA ICUMI N'IMWE Z' UMUHINGAMO (14H00-17H00).

2. UWO WESE ASHAKA KWIYANDIKISHA ASABWA IBI BIKURIKIRA : KUBA ARI UMURUNDI CANKE UMURUNDIKAZI AVYISHAKIYE, KUBA ATARUBAKA URWIWE KANDI ATAGIRA UMWANA, AKIYEMEZA KUGUMA GUTYO MU KIRINGO COSE C'INYIGISHO CO KWIMENYEREZA , N'IMYAKA ITATU YA MBERE Y'INYUMA Y'UMWAKA WO KWIMENYEREZA, KUBA AFISE IMYAKA IRI HAGATI YA 18 NA 25, **KUBA YARARANGIJE N'IMIBURIBURI UMWAKA W'ICENDA W'ISHURE NSHINGIRO CANKE UW'ICUMI W'AMASHURE YISUMBUYE WA KERA**, KUBA ATIGEZE ABA UMUPOLISI CANKE UMUSIRIKARE CANKE NGO YIRUKANWE MU KANDI KAZI KA LETA, KUBA ATIGEZE AKURIKIRANWA N'UBUTUNGANE NGO AHANISHWE GUPFUNGWA AKABA AFISE N'AMAGARA MEZA.

3. ATEGEREZWA GUTANGA IBI BIKURIKIRA : IFOTOKOPI YA KARANGAMUNTU, URUPAPURO RWEREKANA AMAVUKO YIWE, CURRICULUM VITAE, URUPAPURO RWEREKANA KO ATUBATSE, URUPAPURO RWEREKANA UMWIDONDORO WIWE, URUPAPURO RWO KWA MUGANGA RWEMEZA KO AFISE AMAGARA MEZA, URUPAPURO RWEREKANA KO YIGENZA NEZA, URUPAPURO RWEREKANA KO ADAKURIKIRANWA N'UBUTUNGANE, AMAFOTO PASSEPORT ATANDATU (06), FOTOKOPI Y'URUPAPURO RWEMEZA KO YARANGIJE UMWAKA W'ICENDA W'ISHURE NSHINGIRO CANKE UW'ICUMI W'AMASHURE YISUMBUYE WA KERA YEMEJWE N'UBUSHIKIRANGANJI BUBIJEJWE.

4. ABAZOBA BANDITSWE KANDI BAKWIJE IBISABWA BAZOKORA IBIBAZO KU MA GENEKEREZO YA 9 NA 10 MUNYONYO 2018, IGIHE C'ISAHA ZIBIRI ZO MU GITONDO (08H00), KU MIRWA MIKURU Y'INTARA BIYANDIKISHIJEMWO, BAZOZE BITWAJE KARANGAMUNTU, AGAPAPURO BAHAWE MU KWANDIKWA, IKARAMU Y'UBURURU N'UMWAMBARO WO KWINONORA IMITSI.

5. UWUZOHIRAHIRA AKABESHA UBWOKO BWIWE, IMYAKA AFISE, KO ATUBATSE, ADAFISE UMWANA CANKE IMBANYI, AHO YAVUKIYE, AMASHURE AFISE N'IBINDI AZOHANWA CANE HISUNZWE AMATEGEKO, NAHO BIZOMENYEKANA ARIKO ARIGA CANKE YARAMAZE KWINJIRA MU GIPOLISI. VYONGEYE N'ABAZOBA BABIMUFASHIJEMWO NK'ABAJEJWE INTWARO, INYIGISHO N'ABANDI BOSE BAZOBA BABIGIZEMWO URUHARA BAZOBIHANIRWA HISUNZWE AMATEGEKO.

6. ABIGEME BARAHIMIRIJWE KWIYANDIKISHA ARI BENSHI.

UMUSHIKIRANGANJI W'UMUTEKANO,
GUKINGA NO GUTABARA MU GIHE C'IBIZA N'ISIBE

Alain Guillaume BUNYONI

**COMMISSAIRE DE POLICE CHEF**

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU MINISTRE
MINISTERE DE LA SECURITE PUBLIQUE ET DE LA GESTION DES CATASTROPHES